# 12: Tunezerewe k'Umukiza yaje,

1. Tunezerewe k'Umukiza yaje,
Yadupfiriye twese, kandi yazutse.

Ref: Tumuririmbire rwose, ko yadupfiriye,
Haleluya, tunezerwe yuko yazutse.

2. Tunezerewe kuk' umwiz' uciye
Hakabah' umuco w' Umukiza Yesu.

3. Tunezerewe kw amaraso yeza
Yaduhay' agakiza tugacungurwa.

4. Tunezerewe kw imyenda yishuwe,
Kand' Uwera yitangiy' abanyavyaha.

5. Tunezerewe k'Umwana w'Intama
Yaneshej' urupfu, none ni muzima.

6. Tunezerewe k'Umwami w'abami
Ari we Muvugire wacu ku Mana.

7. Tunezerewe k'Umukiza wacu
Azogaruka kutujana mw ijuru.